Ibibazo n'inyishu (kubijanye n'udukingirizo)

Ikibazo: Ni kubera iki tubahanura gukoresha agakingirizo (agafuko)?
Inysishu: Agakingirizo karashobora gutuma utandura canke ngo wanduze uwo muranguranye amabanga mpuzabitsina. Karashobora gukinga umugera wa Sida be n'izindi ndwara zifatira mubihimba vy'irondoka.

Ikibazo: Ariko burya agakingirizo karakingira vy'ukuri?
Inyishu: Egome karakingira neza iyo gakoreshejwe neza kandi kagakoreshwa katararenza igihe co gukora (katarata garanti).

Ikibazo: Mbega ninuvye uwo tugira turangurane amabanga mpuzabitsina, noshobora kugerekeranya udufuko tubiri?
Inyishu: Oyaye. Vyohava bituma agakingirizo gatabuka.

Ikibazo: Mbega nobarira gute umugenzi wanje ngo dukoreshe agafuko?
Inyishu: Iyo hageze urashobora kugira akantu gatuma amenya ico umubariye. Naho wogira ikintu gisanzwe nko gusiga udukingirizo ahariho hose akaza adusangaho. Ariko, kwubahuka ukabivugana n'umugenzi wawe niyo nzira nziza. Naho wotangura umwibariza akabazo gasanzwe nk'aka gakurikira, mwokumvikana; uti: "Ubwo ga mugenzi ntubonako muri iki gihe abantu bakwiye kurangura amabanga mpuzabitsina bikingiye?" Canke nyene ukivugira muri rusangi uti: "Jewe ndamutse nsubiye kurangura amabanga mpuzabitsina, nzokoresha agakingirizo." Aho yotahura aho uhagaze kandi nawe akagira ico abivuzeko. Birashika ibi ntihagire ico bimubarira, akareka kugira ico abivuzeko. Ariko, ntiwoca ureka, hariho ubundi buryo bwo kumvisha umugenzi ko ari vyiza gukoresha agafuko. Wovuga uti: "Urazi ingene nezerwa no gukoresha agakingirizo?" canke uti: "biraryoshe gukoresha agakingirizo kuko bituma umuntu abigira atabwoba afise." Aha rero woca umubwira ko vyotuma utagira ubwoba bwo kwandura umugera wa Sida canke izindi ndwara zica mubihimba vy'irondoka eka mbere ntan'ubwoba bwo gutwara inda utavyifuza wogira kuko udukingirizo ni uburyo bundi bwo kurondoka kurugero. Ni nabwo buryo bwonyene buriho gushika ubu bwo kurondoka kurugero kandi bukanakingira Sida n'izindi ndwara zica mubihimba vy'irondoka. Hariho n'utundi tujambo umuntu yokwifashisha mukujijura uwo barangurana amabanga mpuzabitsina: wovuga uti: "abantu bakoresha udukingirizo bategerezwa gukundana no kwubahana kuko umwe wese aba yitaye ubuzima bwa mugenziwe!" canke uti: "nibaza ko abagabo bakoresha udukingirizo babirangura neza kuko bituma bamara umwanya muremure bariko bararangura amabanga mpuzabitsina."

Ikibazo: Nogira gute hamwe umugenzi wanje avuze ko ndamwinuba?
Inyishu: Inyishu ishoboka ni iyi: "Mugenzi, urazi ko ndakwifuriza ineza kandi ko umwe muri twebwe, yaba jewe canke wewe, ashobora kuba agendana umugera wa Sida kandi atavyo azi."

Ikibazo: Nogira gute umugenzi wanje avuze ko bitamuryohera iyo ariko akoresha agakingirizo?
Inyishu: Abagabo benshi barakunda kuvuga ko agakingirizo kagabanya uburyohe ko arinaco gituma badashaka kugakoresha. Iyo muriko murayaga n'abagenzi banyu ibijanye n'ico kibazo, mwokwifashisha ivyo twababariye mwovuga, canke mukavuga ibi bikurikira: "niko turakundana

ariko, ntacemeza ko umwe muri twebwe atoba agendana umugera wa Sida.” Murashobora kandi kuvuga muti: “reka tugerageze basi agakingirizo igihe nagitoya- kandi muri ico gihe ntaco tuzoba twinona.”Mugihe naho umugenzi wanyu yoguma adadaza, mubwireko mwumvise ngo abagabo bakora igihe kirekire iyo bakoresheje agakingirizo kandi ko ivyo bituma amabanga mpuzabitsina anezera mwese. Vyanse naho, murashobora kwanka kurangurana amabanga mpuzabitsina n'umuntu atemeyeagakingirizo. Muri iki gihe, hariho udukingirizo twakozwe kuburyo bwiza butuma ababukoresheje baryoherwa nkakumwe womenga ntako bakoresheje; ubwo bwotuma umugenzi wanyu akunda gukoresha agakingirizo. Ababiri bavugako mw'isegonde imwe gusa umuntu aba ahejeje kwamara agakingirizo ko mubwoko bita “Pronto”.